**WHO IS JESUS CHRIST?**
**John. 1:1-14**
**Lesson 39**
Memory verse: "***He is despised and rejected by men; a Man of sorrows and acquainted with grief. And we hid, as it were, our faces from him; he was despised, and we did not esteem him."*** **Isaiah 53:3**

**YESU KRISTO NI NDE?**

**Icirwa ca 39**

**Yoha. 1:1-14**

Ijambo ngenderwako: **"*Yarakengerwa, agahebwa n'abantu, yari umunyamibabaro,yari azi intimba icari co,yakengerwa nk'umuntu abandi bahisha mu maso habo, natwe ntaco twamibajijeko*. Yes. 53:3**

## I. INTANGAMARARA

Iki gisomwa kirasigura uwo Yesu ariwe Jambo uwariwe. Yesu Kristo yar' Imana yihinduye umuntu. Reka twige ibintu bitandatu vy'ukuri vyo muri Bibiliya bivuga uwo Yesu ari :

I. YESU KRISTO YARI IMANA.
II. YESU YARI UMUNTU.
III. YESU KRISTO NTACAHA YARAFISE.
IV. YESU KRITSO N'UMWAMI N'UMUKIZA WACU.
V. YESU KRISTO YARAZUTSE MUBAPFUYE.
VI. YESU KRISTO AZOGARUKA KANDI.

## II. YESU KRISTO YAR' IMANA

Ijambo ry' Imana riremeza ko yar' Imana.

**Yohana 1:1 havuga** : " *Ubwa mbere na mbere JAMBO yariho, kandi JAMBO yahoranye n'Imana, kand'uwo JAMBO yar'Imana*".

Icambere, menya neza ko "JAMBO" yamyeho kuva mw'itanguriro. Muyandi majambo, JAMBO yar' Imana. JAMBO yahozeho. JAMBO ntagira intango n'iherezo. N'UHORAHO.

Kubw'ivyo, IMANA yihinduye umuntu iza kubana natwe. Uyo ni YESU KRISTO.

**III. YESU YARI UMUNTU**

Muyandi majambo, Imana yahindutse umubiri. Yacitse umuntu.
Ijambo ry'Imana rivuga ngo : "*Azovyara umwana w'umuhungu, nawe uzumwite YESU, kukw ari we azokiza abantu biwe ivyaha vyabo*". **"Matayo 1 :20-21"**
Bibiliya iravuga ko Yesu Kristu yakuze nk'umuntu.
Umugabo wa nyina, Yosefu, yar' umubaji. Igihe yaratanguye gukura mumyaka hafi y'imyaka 12 y'amavuka, Yosefu na Mariya bamutwaye i Yerusalemu ahari Ingoro.

**IV. YESU NTACAHA YARAFISE**

Nikubera iki Yesu yavutse kw'isugi?
Igituma n'uko icaha cinjiye mu muntu. Abaroma 5:12 haravuga, "None rero ko bimeze birtyo, nk'ukw'icaha cazanywe mw'isi n'umuntu umwe, urupfu rukazanwa n'icaha, ni k'urupfu rushika kubantu bose kuko bose bakoze ivyaha."
Yesu yavutse atacaha afise. Ntiyarafise se wo mw'isi. Icaha cinjiye mu mugabo, ntabwo ari mu mugore.
Kubw'ivyo, Yesu ntiyigeze agambararira abavyeyi biwe canke ngo yibe, agire ubwibone, asambane,agira ishari, yirata,atukane. Ivyo ntivyari muri we kuko se atari umuntu.

**V. YESU N'UMUKIZA**

**2 Ab' i Korinto 5:21** haravuga, "*umwe atigeze kumenya icaha, Imana yamuhinduye icaha k' ubwacu, kugira ngo muri we duhinduke ukugororoka kw'Imana*".
Ibi bisigura ko Yesu Kristo uwaratunganye kandi agororotse yapfuye k'umusaraba kandi yasheshe amaraso yiwe. Igihe Yesu yapfa k'umusaraba Imana yamushizeko ivyaha vyacu vyose.
**Yesaya 53:6**, "*Uhoraho amuremeka ukugabitanya kwacu twese*"
**Yohana 1:29** haravuga, "*bukeye bw'aho abona Yesu aza kuri we, aravuga, ati nguyu Umwagazi w'intama w'Imana ukurah' icaha c'abari mw'isi*".
Yesu n'umukiza wacu !

**VI. YESU N'UMWAMI WACU !**

Yesu n'Umwami wacu. Yesu n'Uwutuganza. Yesu niwe adutunze, nta wogira ico aronka canke abe atari uko Yesu abimukoreye. Yesu kristo niwe agenzura ibintu vyose. Kuba Yesu ari Umwami w'ubuzima bwawe, bisigura ko wamuhaye ukuganza ubuzima bwawe.

**VII. YESU YARAZUTSE MUBAPFUYE.**

Bibiliya iremeza yuko inyuma yugupfa kwa Yesu k'umusaraba kubw'ivyaha vyacu, yarahambwe hama arazuka mu bapfuye umusi ugira gatatu.
1 Ab'i Korinto 15 :3-4 havuga ngo, "*kuko nabanje kubashikiriza ico nanje nahawe, yuko kristo yapfiriye ivyaha vyacu, nk'ukw'ivyanditswe bivuga, agahambwa akazuka ku musi ugira gatatu, nk'ukw'ivyanditswe bivuga*".

**VIII. Gushira mu ngiro**

Ikibazo n'iki : Yoba Yesu Kristo ar' Umwami n'umukiza wawe ? Urashobora kwakira Kristo mu buzima bwawe uno musi.
Ubwambere, ihane ivyaha vyawe. Ivyo bisigura guhindukira uva mu vyaha vyawe ukareka Imana ikakurongora, igahindura ubuzima bwawe kandi ikakuganza. Niba wari n'ugukekeranya wohaguruka ugasenga.

**THE QUIET OF COMING OF THE WORD ON EARTH**
**John 1:1-4**
Lesson 76
Memory verse: "*The secret of the Lord is with those who fear him. He will show them his covenant."* **Psalm 25:14**

**IBANGA RYO KUZA KWA JAMBO MW'ISI**

**Icirwa ca 76**

**John 1:1-4**

**Ijambo ngenderwako : «** *Ibanga ry'Uhoraho rifiswe n'abamwubaha, azobereka isezerano ryiwe***» Zab.25 :14**

**I. Intangamarara**
Hari ikibazo abenshi bizaza : « Ni gute Imana yaje mw'isi, ikaba mw'isi y'imibabaro ? Abandi bati : « Yesu ni nde ? » bati yoba yari umuyuda mwiza kandi azi kwigisha. Iyo hageze ibi bibazo, abenshi barazimizwa kuko batonabitahura kuko ari ibanga rimenywa n'abubaha Uhoraho. **Imig. 3:32 «** *kuko umunyakibi ni igisesema k'Uhoraho Ariko abagororotsi bo, asangira ibanga nabo***.** » Hari abenshi babajije ivyo bibazo :

**Mat. 21:10** « Ashitse i Yerusalemu, igisagara cose kirashwabaduka, barabazanya bati : « uwo ni nde ? »
**Luka 9:9** « Herode aravuga ati : Yohana ni je namwiciriye umutwe, mbega uwo ni inde ? »
**Luka 8:25b** « Barabazanya bati : « Mbega uyu ni umuntu ki, ko abarira n'umuyaga….. ? »
**Luka 5:21b** « Abanyabwenge,,, batangura kwiburanya bati benga uwo ni inde ? »
Kugeza n'ubu abenshi baracafise ico kibazo. Ariko niba wibaza ko Kristo ari uwusanzwe, umusi umwe uzosanga wamwibagiye. Barahari. Ni abo bama muntege nke mu gikorwa ciwe hamwe nabo badatinya gukora icaha bamwicariye mw'ishengero kandi barazi ko ababona. Ntibamuzi nk'Imana Uhoraho. Ariko niba wemera ko ariwe Kristo wukuri, Abamwubaha azobereka isezerano ryiwe, witegure rimwe uzosanga wicaranye nawe iburyo bwa Data.

**II. Uko Jambo yaje mw'isi.**

Yohana 1:1 « Mu ntango **Jambo yariho**, kandi **Jambo yahoranye** n'Imana, kandi uwo Jambo **yari Imana.** Uyu Jambo yahoranye n'Imana niwe yaje mw'isi afise ikimuzanye arico gucungura abantu. Yari Imana imwe m'ubutatu. 1X1X1= 1. Ni Imana Data, Mwana na Mpwemu Yera. Ijambo ritubwira ngo : **Yariho :** n'ubu ariho kandi azokwamaho kuko ni **UHORAHO.** Yahoranye n'Imana : N'ubu ari kumwe nayo kandi azokwamana nayo. Kuko ni Umwana wayo. Yari Imana : N'ubu ni Imana, kandi azokwama ari Imana ibihe bidashira. Uyu Jambo yaje mw'isi gucungura abantu. Muri we niho hari ubugingo. Uwutamufise, ntafise ubwo bugingo budashira. Ariko abamwubaha bazosangira ibanga.

Jambo yari Imana ni we Kristo. Yaje mw'isi aciye mu mwigeme w'Umuyudakazi yitwa Mariya. Amutwara inda ivuye kuri Mpwemu Yera, aramuvyara. Aba umwana arakura nk'abandi ariko we yiyizi uwariwe niyo yavuye. Ku myaka mirongo itatu ; atangura ivugabutumwa mu kwereka abantu Uhoraho Imana uwe ariwe koko n'ico abipfuzako.

Kubera izo nyigisho zari zinyuranye n'ivyo abaherezi n'abafarisayo bakora, baca baramubamba k'umusaraba ata n'icaha bamubonyeko. Amena amaraso yiwe, ariyo yahindutse ayoza ivyaha vy'abantu b'Imana bose. Arahambwa, nyuma y'imisi itatu arazuka yiyereka intumwa ziwe n'abandi benshi imisi mirongo ine. Niho yaduga mw'ijiuru iburyo bwa Data. Ubu niho yicaye. Azogaruka gutora abamwubaha babane nawe aho nyene. Bazomenya amabanga y'ijuru.

Uyu Kristo akiri kw'isi yaraboneka nk'abandi ; ariko ubu ntawumubona mu buryo bw'umubiri kuko yamaze kwambara bwa bu mana yahoranye ataraza mw'isi. **1Kolosayi 1 :15.** « ***Niwe shusho y'Imana itaboneka, niwe mfura mu vyaremwe vyose*** *»* Abamwizeye ni abana ba Mpwemu. Ubwenge bw'isi ntibushobora gutahuza umuntu uru rukurikirane. Birabazazanira.

Nibakubaza bati Imana ivuga gute ? imeze gute ? isa gute ? … uzubishure uti : Uko Yesu ari niko iri.

**III. Abacunguwe bo bavuye he ?**

**Yoh 1:3** « Vyose vyaremwe nawe. » Mu vyaremwe, harimwo n'abantu barimwo ; ni bo batumye Imana iza mw'isi, ni abiwe bwite. Ni abo yiremeye n'amaboko yiwe mw'ishusho yiwe. **Itang. 1:26** Yaje gucungura abiwe kandi vyarumvikana ko

yabakunda. Uru rukundo ntirucagura abakijijwe canke abanyageso mbi. Abakunda bose kuko yitwa RUKUNDO.

Hari inyigisho zakwiragijwe mw'isi n'abiyita abanyabwenge zigisha ko umuntu ataremwe uko tumubona uyu musi. Bigisha ko umuntu yagiye ahindagurika avuye mu nkoto hanyuma imanfu. Ngo ni naco gituma umwana aguma asambagura aho aryama. Ngo yoba ari kamere yakuye kuri basekuru nkoto. Ikibazo ni kuki uyu musi izi mamfu zitariko zihinduka abantu ? Aba bavyigisha uku kugira bakure ukwubaha Imana Uhoraho mu bantu. Hari nababikurikiye kubera ukutamenya. Ibanga ry'Imana si bose baritahura.

**IV. Gushira mu ngiro.**

Urashobora kuba uriko uratwara umuduga, ukabona ikimenyetso (feu rouge) kikubwira ko imbere ari habi ukwiye kwitonda. Ni wewe wo gufata ingingo yico ukora : wovyirengegiza canke ukagenda buhoro canke mbere wohitamwo gusubira inyuma. Ico kumenya ni uko ingingo yose ufata ; idahindura ico ikimenyetso cavuze.

Jambo yari Imana yambaye umubiri aza mw'isi kugira acungure abantu. Iki cari igikorwa kitari coroshe kuko yari umuntu ijana kw'ijana akaba Imana ijana kw'ijana.  Niwe muremyi w'ibintu n'abantu bose. Niba wizeye Yesu ; ntugikwiye kwemerera Satani ngo agutere gukekeranya Imana n'ivyo ikora ;  bigatuma wama mu gukora ivyaha.

Mu ntango **Jambo yariho**, kandi **Jambo yahoranye** n'Imana, kandi uwo Jambo **yari Imana.** niwe nzira ; ukuri n'ubugingo. Azoza kujana abamwizere. Uvyemere canke ureke ntaco bihindura. Urashobora kuba utari bwamenye iri banga ry'Imana, wohaguruka ugasenga Mpwemu Yera akugeze kukumeneya ukuri. Hari isezerano ry'amahoro ku bamwubaha.

**TESTIMONY OF JOHN THE BAPTIST**
**JOHN 1:6-13**
Lesson 62
Memory verse: "*For you are all children of God, through faith in Christ Jesus."*
**Galatians 3:26**

**GUSHINGA INTAHE KWA YOHANA BATISITA**

ICIRWA CA 62

**YOH. 1:6-13**

Ijambo ngenderwako : ***« Mwese muri abana b'Imana kubwo ukwizera Kristo Yesu »* Gal. 3:26**

## I. Intangamarara.

Niba umumenyeshamakuru akubajije ati : « wibaza ko intumbero yatumye Imana ikuzana kw'isi ari iyahe ? » womwishura gute ? Tertullian yari umurongozi w'Ishengero mugice c'i Roma haraheze imyaka 200. Yaravuze ati : « turi kw'iyi si, twaruzuye ahantu hose : ibihugu, intara, amakomine n'imitumba yose. Ntaho woja ngo uhabure abantu. Icatunaniye n'ugushira ishaka ry'Imana mu mitima yacu. »

George Barna yakoze ubushakashatsi mu mashengero rukristo abaza ikibazo kimwe ati : « Ni igiki wobwira abandi kubw'Ishengero ryawe kugira barizemwo ? » 40 kw'ijana bishuye bati : Eheee, Ahaaa, nibaze turasenga » Gushinga intahe birabagora.

**II. Intahe ya Yohana Batisita**
Yarazwi nka Yohana Baptista. Bashobora kuba munyuma baramuhaye akandi kazina ***Yohana Mushingantahe.*** Ibi vyaterwa nuko iri jambo <gushinga intahe > riboneka cane muri iki gice. Aravuga ngo narabonye kandi navutse ngo nshingire intahe uyo kwari we. Imana yaremye abantu bose kugira babe abamushingira intahe no kumuhimbaza. Turashobora no kwigisha abandi mu kubereka icatumye Imana ibarema.

Iyumvire Yohana ahagaze imbere y'abantu benshi ariko arababwira inkuru za Kristo, abanyamategeko bakamubaza bati : « Yesu Kristo ni nde ? » aha ntivyamusaba kuba yarize cane, ahubwo vyasaba ko uwo avuga amuzi koko.

## III. Intahe yemeza ko Yesu Kristo ari umuco w'isi.

**Umur wa 8.** Yohana yemeza ko we atariwe muco, ahubwo yaje gushingira intahe umuco. Umuco ntiwahahoha, ariko wariko uraza. Uwo nawe yari Yesu Kristo. Itara siryo muco, ariko uwuribonye aremera ko mu kanya umuco woboneka. Na Yohana yashingira intahe umuco w'ukuri wariko uraza. **Umur.9** *« Umuco w'ukuri, wakira umuntu wese, wariko uraza muri iy si. »* vyumvikana ko isi yose yari umwijima. Nta kuri. Vyose vyari mu mwijima.

## IV. Ni gute Umuco wakiriwe n'ab'isi?

### 1. Isi ntiyamenye umuco.

**Umur. wa 10** : « *Yari mw'isi, kandi isi yaremwe nawe, ariko isi ntiyamumenye*. »

Ni iki catumye batakira uyu muco ? **II Korint.4 :4. «** *Ni bo batizeye, imana y'ikigihe yahumye imitima ngo umuco w'ubutumwa bw'ubwiza bwa Kristo ntubakire. Ni we shusho y'Imana* »

Iyi mana yiki gihe (Satani) niyo yamye izimiza abantu kugira ntibamenye Yesu Kristo ko ariwe muco w'ubugingo. Abenshi abateza gukekeranya.

### 2. Isi ntiyakiriye umuco.

**Umur.wa 11**. « *Yaje iwe, ariko abiwe ntibamwakiriye*. » Yesu yavukiye mu Bayuda, abari bazwi nk'ab'Imana ariko nabo ubwabo baranse kumwakira, mukumwikiza baramumanika k'umusaraba. Ijambo ry'ikigiriki "paralambano," risobanurwa ngo « ubwabo ntibamwakiriye »
biramaze kugushikira aho incuti, umuryango... wari wizeye ko bokwakira, bakagutererana ? Uko niko vyagendeye Yesu. Yarababaye.

**3. Harabonetse abakira umuco.**

**Umur. 12** « *Ariko abamwakiriye bose, yabahaye ububasha bwo gucika abana b'Imana, nibo bizeye izina ryiwe. Abo ntibavyawe n'amaraso canke ukwipfuza kw'umubiri…* »

•Umuntu areka kuba umwana w'Imana gute ?

*« Abo ntibavyawe n'amaraso »* ntiwabaye umwana w'Imana kuko wahawe izina ry'Ubukristo canke wavukiye mu muryango ukijijwe canke mbere ngo ube ufasha abakene benshi hasanzwe hari n'abashingantahe beza bakora vyinshi kugusumvya ariko batahawe ububasha bwo gucika abana b'Imana

•Ducika abana b'Imana gute ?

Umugani w'abanyamerika uravuga ngo : « *Imana ntabuzukuru igira* » Nta n'umwe yavutse ari umwana w'Imana. Twese twavutse turi « Abantu b'Imana » kuko twaremwe nayo. Kuba umwana w'Imana, turabicika ntitubivukana. Ibi bishoka iyo urambiwe n'ubuzima bubi urimwo. Ukemera ivyaha vyawe, ukavyatura., ukavavanura navyo ukakira Yesu mu mutima nk'Umwami n'umucunguzi wawe. Nibo bakiye izina ryiwe. uca uba mu muryango mushasha. Data umwe n'abana biwe.

**V. Gushira mu ngiro.**

Imana yanejerejwe no kurema umuntu mw'ishusho yayo ; imuha ubwenge gusumba ibindi biremwa vyose vyo mw'isi kugira aze abe incuti yiwe kandi ayishingire intahe mu mahanga yose. Icaha kimaze kuza ; isi yuzura umwijima, niho Umuco waza muri yo. Ikibabaje ni uko kugera n'ubu abenshi banse kwakira uwo muco. Bahisemwo kuguma mu mwiza. Iherezo ryabo ni mu muriro utazima.

Birashoboka ko nawe woba ugikekeranya ko umuco (Yesu) uri muri wewe canke ukaba utaratahura icatumye Imana ikurema ikakuzigama gushika ubu. Urashobora guhaguruka ugasenga ubu nyene. Ukiyambura ibinyoma vy'imana y'iki gihe. Kristo arakumurikira kandi uraca uhabwa ingabire y'ubugingo budashira winjire mu muryango mushasha w'abana b'Imana. Data umwe n'abana biwe.